REPUBLIQUE DU BURUNDI
COMMISSION NATIONALE INDEPENDANTE DES DROITS DE L'HOMME
(CNIDH)

ITANGAZO RISHIKIRIJWE N'UMUKURU W'UMURWI W'IGIHUGU WIGENGA UJEJWE AGATEKA KA ZINA MUNTU RYO KU WA 19 MYANDAGARO 2015

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH) urababajwe n'ubwicanyi hamwe n'inyuruzwa ry'abantu bakaja kwicwa bikomeje kwiyongera mu gihugu, ivyo bikagirwa n'abantu bitwaje ibirwanisho kandi bigahitana abantu bo ku mpande zitandukanye.

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH) urababajwe n'igandagurwa rya Colonel Jean BIKOMAGU yahoze arongoye ibiro bikuru vy'intwaramiheto z'Uburundi, yagandaguriwe mu Kabondo ku wa 15 Myandagaro hamwe n'umushingantahe n'umupfasoni wiwe bagandaguriwe mu Kamenge ku wa 12 Myandagaro uyu mwaka mu gisagara ca Bujumbura, igitigiri c'abamaze guhitanwa n'ubwo bwicanyi kikaba kigeze ku bantu 14 muri izi ndwi zibiri ziheze.

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH) urahojeje umuryango wa Col. Jean BIKOMAGU n'imiryango yose yabuze ababo muri ubwo bwicanyi.

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH) urafise umwitwarariko ukomeye bivuye ko ibiganiro hagati y'abanyepolitike bitarasubira gutangura ku buryo bwotuma impari zikomeza kwibonekeza hagati yabo zitora inyishu.

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH) urashima itangazo Reta y'Uburundi iherutse kugira igaragaza ugushaka ifise ko kubandanya ibiganiro. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH) ukaba usavye Reta ko yokomeza ija muri iyo ntumbero y'ibiganiro idatevye kandi ivyitwararitse cane.

Mu gihe rero ibintu bimeze bityo, Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH) uhanuye ibi bikurikira vyofasha guhagarika ubwicanyi bufatiye kuri politike bukomeje kwigaragaza :

Kuri Reta y'Uburundi

- Gutera intambwe ya mbere mu kurondera kwiyegereza abanyapolitike bose kugira ibiganiro bisubire gutangura bidatevye ;
- Gutunganya amanama y'uguhumuriza abanyagihugu ifadikanije n'abajejwe intwaro, abajejwe umutekano, abarongoye amashengero n'amadini, hamwe n'abandi barongozi.

Commission Nationale Indépendante des Droits de l'Homme Tél B.P. 1370

Ku barongoye imigambwe

- Gusubira mu biganiro kugira ngo ibibazo bibatandukanya bitore inyishu zirama kandi zidaciye mu gikenye ;
- Kuvavanura n'ingendo y'ugukoresha igikenye mu gukurikirana inyungu izo arizo zose.

Ku bajejwe umutekano

- Kubandanya ibikorwa vyo gukura ibirwanisho mu bantu bose babitunze batabifitiye uruhusha ; ariko bakabikora ku buryo bidahitana abantu ;
- Kubandanya bacungera neza umutekano wa bose kandi ata nkunzi ;
- Kwibutsa na ntaryo abajejwe umutekano bose ingingo ngenderwako zigenga agateka ka zina muntu na cane cane ko bihujijwe gusinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu n'aho yoba afise ico yagirizwa ; kandi bagakwirikirana ata gukingira ikibaba uwo wese yoba yakoze ivyaha bene ivyo ;

Ku barongoye amashengero n'amadini

- Kuva mu gacerere, bagahamagarira abayoboke babo kwihangana no kwigenga ubuntu, kuja hagati y'abafise ivyo bapfa bose, no guhimiriza abantu kubana mu mahoro no gusonera ubuzima bwa kiremwa muntu.

Amakungu

- Umurwi w'igihugu wigenga ujejejwe agateka ka zina muntu (CNIDH) uyasavye guhimiriza Reta y'Uburundi n'abanyapolitike gusubira mu biganiro bidatevye.

Abanyagihugu

- Kubambatira amahoro n'umutekano no gufatana mu nda muri ibi bihe vya politike bitoroshe kandi bakima amatwi uwo wese canke ico cose kiza kibacanishamwo.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 19 Myandagaro 2015

Jean Baptiste Baribonekeza

Umukuru w'umurwi